LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

***N°531 Co kuva kuwa 15 gushika kuwa 21 Ruheshi 2026***

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero 530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 21 Ruheshi 2026, abantu bashika 875babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 788 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

## IBIRIMWO

*0. INTANGAMARARA......5*

*I. UMWIHWEZO......5*

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE......10*

*III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA......14*

*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA......15*

# *IKARATA Y'INTWARO MU BURUNDI*

***INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA 16 NTWARANTE 2023***



# *IMPFUNYAPFUNYO*

**CDS** : Ikigo c'ubuvuzi

**CENI** : Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'igihugu

**CEPI** : : Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'intara

**CNDD-FDD** : *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi*

**CNL** : Inama y'abanyagihugu iharanira umwidegemvyo

**CODIP** : Urunani rw'amashirahamwe aharanira iterambere ridakumira ry'abanyagihugu

**DCE** : Ubuyobozi bw'indero muri komine

**DPE** : Ubuyobozi bw'indero mu ntara

**ECOFO** : Ishure shingiro

**FARDC** : Ingabo za repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

**FDLR** : Urunani ruharanira gukingira no kubohoza u Rwanda

**FDN** : Ingabo zikingira igihugu

**FNL** : Urunani rw'igihugu ruharanira ukwidegemvya

**FOMI** : Ihinguriro ry'ifumbira y'ikizungu

**M23** : Umuhari wo kuwa 23 ntwarante

**OBR** : Ikigo kijejwe amakori mu Burundi

**OPJ** : Inyamiramabi

**PADER** : Umugambwe uharanira demokarasi n'ugusubiza hamwe

**RDC** : Repuburika iharanira demokarasi mu Burundi

**RN** : Ibarabara ry'igihugu

**UPRONA** : Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu

**SNR** : Igendereza ry'igihugu

# URUTONDE RW'IBIRIMWO

0. INTANGAMARARA.....5

I. UMWIHWEZO.....5

I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE E.....5

I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI.....6

I.3. UMWIHWEZO W'IBIDUKIKIJE.....7

I.4. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO.....7

I.5. UMWIHWEZO W'AGATEKA KA ZINA MUNTU.....7

I.6. UMWIHWEZO W'INTWARO.....8

I.7. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE.....9

II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE.....9

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA.....9

II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE.....9

II.1.1.1. ABANTU BISHWE KUMVO ZO KWIHORAHORANA.....9

II.1.1.2. ABANTU BISHWE N'ABATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE.....9

II.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO.....12

II.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAGURWA KU MUBIRI NO KU MUTIMA.....12

II.2.1. UGUFATWA KUNGUVU.....12

II.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO.....13

II.3.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO.....13

III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA.....14

III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI.....14

IV. IGUSOZERA N'IBISABWA.....15

# *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo ku wa 15-21 Ruheshi 2026.Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka kirihweza kandi nk' ivya politike,umutekano,ubutunzi,agateka ka zina muntu,ibidukikije,intwaro hamwe n' ubutungane.Kiranasuzuma kandi ibintu biserura amabi abuza uburenganzira bw'abantu no muri politike vyaranze iyindwi.

Amabi umuhari Iteka wabonye kandi watohoje ameze ugukwirikira : n'imiburiburi abantu 8 bishwe,harimwo 6 batowe ibiziga muribo harimwo ikiziga c'umwana w'imyaka 6 ;umukobwa 1 yafashwe ku nguvu,abantu 2 banyurujwe hamwe n'abantu 3 bahagaritswe bagaca bapfungwa biciye kubiri n'amategeko.Mu babikorewe, abakobwa 3 n'umugore 1 barishwe hama umwe arafatwa ku nguvu.

Ahanini abikekwako ayo mabi ni abo mu ntwaro,abapolisi,abasirikare,hamwe n'urwaruka rw' Imbonerakure z' umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.

# *I. UMWIHWEZO*

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE*

***Ibikorwa vyo kurubuga vy'umugambwe CNDD-FDD muri komine Cankuzo mu ntara ya Buhumuza.***

Ibikorwa vyo kurubuga bikorwa n'umugambwe CNDD-FDD muri komine ya Cankuzo, mu ntara ya Buhumuza. Kuva kuwa 15 gushika kuwa 17 Rusama 2026, abagize ibiro vya komine mu mugambwe CNDD-FDD barishikiye ku rubuga mu ma zone ya TWINKWAVU, CENDAJURU na NYAMUGARI.Kugira boroshe integuro, imitumba myishi yakoranirijwe hamwe mugihe c'ivyo bikorwa.

Umunyamabanga w'umugambwe uri ku butegetsi muri komine,ari kumwe n'abanyamabanga mu ma zone yo muri uburere,yaragirishije amahugurwa abanywanyi yongera abibutsa ko amatora y'umukuru w'igihugu yegereje,ategekanijwe kuwa 3 Rusama 2027 kuva igihe c'isaha 12 zo mu gitondo gushika igihe c'isaha 9 z' umugoroba,mu ntumbero yo gushikira intsinzi itagabanije y'100 %. Yaranashimitse ku kamaro ko gutera ikawa hamwe n'amavoka,mu kubamenyesha ko urugo rwose rwategerezwa kugira n'imiburiburi ibiti 10 vy'amavoka n'ibiti 50 vy'ikawa.

Mu gusozera,barakiriye abanywanyi bashasha bavuye muyindi migambwe baje mu mugambwe CNDD-FDD. Vyongeye,urwandiko rumeze nk'urwo kwiyemeza amajwi biteze mu matora y'umukuru w'igihugu rwahawe abanyamabanga b'umugambwe ku mitumba, rwashizweko umukono neza.Abarorerezi bamwe bamwe bafashe iyo ngendo nk'iterabwoba kandi babisiguye nk'umukenyuro wo gutegura ubusuma bushoboka bw'amatora.Ivyo bikorwa vyarakwiragiye mu makomine y'izahoze ari intara za Ruyigi na Cankuzo.

***Amakenga kuri umwe mu bagize umugwi CEPI muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza.***

Mucuka c'amatora yimirije,hari ingendo iteye amakenga aho hamenyekaniye abagize umurwi ujejwe gutegura amatora ku rwego rw'intara (CEPI) BUMUHUZA. Twomenyesha ko umwe mubagize umugwi yashizweho nk'uwuserukira ishengero gatorika.Ariko ivyo vyaratangaje abarongoye ishengero gatorika muri Diyoseze ya Ruyigi,bemeje bivuye inyuma ko batazi uwo muntu mumuryango wabo.Baranashikirije ko atanumwe ishengero gatorika ryashikirije,haba muri CENI canke mu migwi itandukanye iyikokomokako.Uko kubeshuza kwarerekanye amakenga kubijanye no guserukirwa hamwe n'umuco mu bikorwa vy'amatora biriko biraba,bakanashikiriza icuka kibi gishobora kwaduka hagati y'inzegohamwe n'uko abantu benshi n'amashengero babibona.

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE* *(Ibikurikira urupapuro 5)*

***Ugukombora mu mabanga uwutwara zone Gashoho muri komine Butihinda mu ntara ya Buhumuza.***

Buramatari w'intara ya Buhumuza, Denise Ndaruhekere,yarahagaritse mu mabanga, uwutwara zone Gashoho, yo muri komine Butihinda, Reverien Ndacayisaba.

Yagirijwe n'abanyagihugu ko yatanze itegeko ryo gutema ibitoke vyabo,vyari bisanzwe arivyo ahanini bibatunze,yitwaje ko vyari biteye hafi y'ibarabara.

Abanyagihugu baratangajwe n'ukubona umutware wabo yonona imirima y'ibiterwa mbumbarugo vy'abanyagihugu atwara.Mu gatondo ko kuwa 15Ruheshi,abantu badutse batema ibitoke vyose biri kw'ibarabara Masanganzira–Muyinga.

Kubwo uwutwara zone,ivyo bitoke vyari vyatewe mu mwanya w'imetero 6 zagenewe ibiti vy'amatara hamwe n'imiringoti y' amazi,kandi ko yashize mungiro amategeko ajanye n'isuku hamwe n'umwanda.Kubwo urwandiko rwa Buramatari,yarahagaritswe mu mabanga kumvyo zo gutahura nabi itegeko shikiranganji bijanye nomero 1041 ryo kuwa 18 Ruhuhuma 2026, rijanye n' isuku n'umwanda.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI*

***Ibura ry'ibinyobwa vya Brarudi muri komine Mwaro mu ntara ya Gitega.***

Haraciye indwi 3, abadandaza batobato b' ibinyobwa vya Brarudi ku mugwa mukuru wa komine Mwaro mu ntara ya Gitega birabagora kuronka ibinyobwa mugihe igikamyo gikwegana caBrarudi kizana ibinyobwa kuri Mega SSD ya Mwaro.

Mu ntango y'ivyo,uwuserukira Brarudi kuri Mega SSD ya Mwaro,umwigeme Dushime Darlene yubahiriza abadandaza bakomeye b'ivyo binyobwa i Mwaro ku mugwa mukuru,nk'uko Bukuru Audrick, Kwizera Fabrice, Hôtel Gîte Gasumo,kugira baronke vyinshi muri ivyo binyobwa.

Kuruhande rwabo baha igiturire Dushime Darlene.Uwo muserukizi wa Brarudi haciye indwi 3 ashizeho umukenyuro w'uko umudandaza w'ivyo binyobwa vya Brarudi ategerezwa kubanza kugura ikarato ya Heineken.

Ikarato ya Heineken igurwa 260.000fbu. Iyo si ingorane kuri abo badandaza bakomeye kubera basanzwe bacuruza ico kinyobwa Heineken. Ariko abadandaza batobato b'ivyo binyobwa (bafise ubunywero busanzwe), benshi muribo bafise agatahe gato.Vyongeye,ntibashobora kuronka abagura ico kinyobwa.Icupa rya Heineken, ntoya, rigurwa 15000 fbu.

Amasoko ava kumugwa mukuru wa komine Mwaro avuga ko ato ma karako ya Heineken azanwa mu ngendeshwa y' akazi,y'uwo mu serukozi,mugihe aba aduze avuye iBujumbura.

Abo badandaza batoya b'ivyo binyobwa vya Brarudi muri komine Mwaro baritwaye kwa Musitanteri wa komine Mwaro.Mugihe uwo murongozi yarungitse ubutumwa kuri uwo muserukizi kugira amutumire mu nama iri mukuba y'abadandaza b'ico kinyobwa;uwo mu serukizi yishuye ko akorera Brarudi kandi adakorera komine.

Uwo uri wese ubahirizwa

## I.3. *UMWIHWEZO W'IBIDUKIKIJE*

***Ibomagurika ry'isi muri komne Cibitoke, intara ya Bujumbura.***

Hafi ihegitari 20 z'isi ndimwa zaratwawemu kubomoka kw'ibarabara rya 12 mu karere ka Rusiga muri zone Cibitoke yo muri komine Cibitoke.Bene ayo matongo bemera ko baharura uruhombo rukomeye mugihe bari batunzwe n'ayo matongo.

Mu ntwaro,bemeza ko barengewe mugihe ibiti vyatewe kugira bikingire ayo matongo vyatwawe n'iryo bomoka.Bamwe mu banonosoye ivyo agataka bavuga ko ari ugusaza kw'isi aho amazi yinjira mukuzimu ashobora gutuma isi ibomoka.

## I.4. *UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

***Umusore yarakubiswe yongera arakomeretswa muri komine Rutana, intara ya Burunga.***

Kuwa 18 Ruheshi 2026, ku mutumba Bukemba, Zone Bukemba, komine Rutana mu ntara ya Burunga, hafi isaha 3 z'ijoro, Manirambona Didace,umurimyi w'imyaka 37 w'umunywanyi wa CNDD-FDD yaraha garitswe n'abatamenyekanye mw'ibarabara mugihe yari atashe avuye mu bunywero bwaho yongera arakomeretswa munda hakoreshejwe imbugita,mu kuguru,ku maboko n'abantu batazwi. Yaratebukanywe ku bitaro mu Rutana aho ariko aravurirwa.

***Ukugerageza kw'ica umuyabaga mu gitero muri komine Kibezi, iri mu ntara ya Burunga***

Umuyabaga yarakubiswe bikomeye,n'abagenzi biwe muri komine Kibezi, iri mu ntara ya Burunga. Mugisha Inès, afise imyaka17, ni umunyeshure mu mwaka wa mbere mu gisata c'indimi muri komine, Ruhinga, no muri zone Kibezi. Ni umukobwa wa Jérémie, ava ku mutumba Ruzibazi, muri komine Rwibaga, intara ya Bujumbura.Iryo bara,ryaguye kuwa 6 Ruheshi 2026,ryaramenyeshejwe umukuru wa zone Kibezi.

Uwikekwako akabi,Ntirushwa Darcy,afise imyaka 20,ni umukobwa waNgomirakiza na Nibitanga,akaba avuka ku mutumba na zone Kibezi, ahabereye ibara. Yaheruka guheba amashure kuri iryo shure. Muntango y'igice ca gatatu,mugihe yari mu mwaka wa 3 mu gisata c'indimi, kubera umwimbu mw'ishure waguma ugabanuka, nk' uko bavyemeje abarongoye ishure hamwe n'umuyobozi w'ishure rikuru rya komine Ruhinga.

Kubwo amakuru yo mu ntwaro,uwo yaratewe mugihe yari avuye ku mugenzi wiwe,yari amuherekeje. Uwikekwa kumukubagura yarahunze, yanyuzwe ko yamaze gupfa.Yaratwawe ku kigo c'ubuvuzi mu Kibezi n'abo mu muryango,hanyuma yungururizwa iBujumbura, aho ku mana mbi yaruhiye ubusa.

Uwo anuganugwa ko ariwe yamutwaje iyonda ,ariko yarase kuyemera,kubwo amasoko.Mugihe abatware ku rwego rwa zone bemeza ko Darcyatarabonek a,abavyeyi b'uwagize ivyago basaba ko igipolisi kimuhagarika kikongera kika mushira mu butungane kugira yishure kumabi yakoze hakwirikijwe amategeko.

## I.5. *UMWIHWEZO W'AGATEKA KA ZINA MUNTU*

***Abanyororo basaba agateka kabo muw'ibohero rikuru ryo mu Ruyigi mu ntara ya Buhumuza.***

Kuwa19 Ruheshi 2026, umuhari ITEKA waramenyeshejwe ko abanyororo bo mw'ibohero rikuru rya Ruyigi,riri mu ntara ya Buhumuza,basaba ko abarongoye ibohero bobagira ico bakoze kubera ukuborezwa igufa hamwe n'ugufatwa bunyamaswa bariko bakorerwa.Kubwo amasoko yaho,umuntu yitwa Sebushahu Augustin,yatorewe kurongora abanyororo,yoba ariwe yatumye haba ako kajagari.Kubwo ayo makuru,Sebushahu Augustin avugwa nk'umuntu adafise indero kandi yagirizwa amabi menshi y'ihonyangwa ry'agateka ka zinz muntu.

## *I.5. UMWIHWEZO W'AGATEKA KA ZINA MUNTU* *(Ibikurikira urupapuro 7)*

Muvyibonekeza,haravugwa ko mu 2013,Augustin yarahagaritswe kandi arapfungwa kubera yishe umugore wiwe amunize muhira iwabo.Arekuwe muri 2020,yasubiriye gupfungwa muri 2021 yagirizwa kwica umunyamwema,ikiringo yahawemwo gutwara abapfungwa.Kuva ico gihe abo bapfungwa baragaragaza akababaro, bakemeza ko bari mu buzima bubi cane kandi babangamiwe,gushika bamwe muribo bahitamwo gutanga amahadabu kugira barwanye izindi ngorane zisongera isibe.

Bari mu kaga aho abanyororo boba barakubiswe kandi bakaborezwa igufa na Augustin,gushika aho batanashobora kwicara.Dutegerezwa kumenya ko abo banyororo bitwaye ku muyobozi w'ibohero mu Ruyigi ntibaronka inyishu ibereye kuri uwo musi.

## *I.6. UMWIHWEZO W'INTWARO*

**Ugusukura igisagara kwononye ibintu vyinshi muri komine Butihinda mu ntara ya Buhumuza.**

Umugoroba wo ku musi w'imana igenekerezo rya 14 Ruheshi 2026,mu bunywero ku mugwa muji Masanganzira, musitanteri wa komine Butihinda ,umwubahwa Carine Belyse Dukundaneyarakoranije abatware baho bo muri zone Gashoho kugira abahe itegeko ryo kugira isuku ku nkengera y'ibarabara rikuru Masanganzira-Gashoho- Muyinga kugira bitegurire neza umuzo w'indongozi zo hejuru zaza kwigina isabukuru igira 6 ya perezida Évariste Ndayishimiye ari ku butegetsi. Ivyo birori vyari bitegekanijwe kuva kuwa 1 gushika kuwa 20 Ruheshi 2026 ku kibuga c'inkino Umuco co ku mugwa mukuru wa komine Muyinga. Kugira bakwirikize itegeko rya musitanteri wa komine Butihinda, umukuru wa zone Gashoho Reverien Ndacayisaba yategetse Imbonerakure z'i Gashoho kuvyuka kare mu gatondo n'imipanga bagaca batema ibitoke biri ku nkengera y' ibarabara Gashoho-Muyinga kugira bakinge ko abanyagihugu bene iyo mirima bababuza.Ni gutyo mu gitondo co kuwa 15 Ruheshi 2026 haranzwe no gutema bikabije hamwe no kwonona imirima ahanini y'ibitoke biri kw' ibarabara ry'ikaburimbo.Abanyagihugu baho bari mu kangaratete narirya igitoke arico soko nyamukuru ry'ubutunzi iyo bagishoye,ariko ko kandi baranagifungura canke bakagikuramwo inzoga.Buramatari w'intara ya Buhumuza Denise Ndaruhekere yafashe ingingo yo gukombora uwo mukuru wa zone yakoze nabi ariko abanyagihugu babona ko ari ukubahuma amaso kuko vyari guhanwa hakwirikijwe itegeko mpanavyaha.Basaba indishi y'akababaro kandi musitanteri agakomborwa kubera ariwe yatanze itegeko ry'ayo mabi.Ariko bafise amakenga ko atazohanwa kubera ari umugore wa Charles Ndagijimana yahoze atwara ibwirizwa shingiro ryemeje biciye kubiri n'amategeko ikiringo ca 3 c'umuhisi Pierre Nkurunziza.

Twomenyesha ko uwo musitanteri Carine Belyse Dukundane aheruka guhagarika umunyabigega wa komine kubera adashira amahera ku gasandugu k'ububiko kiwe,yari yamutegetse gushirako 25.000.000 ku gasandugu k'ububiko kiwe hama umunyabigega aranka, bukeye bwaho yasanze imiryango y'aho yakorera yugaye kandi ntiyashoboye gukora.Imyiteguro y'igikorane ca perezida caranzwe n' intererano z'agahotoro kugira hakirwe umuryango wa perezida.

## *I.7. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

### Ivya Chadia Mukaremera, umukozi wa CNIDH vyarengejweko uruho rw'amazi

Kuwa 15 Ruheshi 2026, parake nkuru yegamiye gasamburamanza yarengeje uruho rw'amazi iiburwa irengero,kuva kuwa 25 Ruhuhuma 2026,rya Chadia Mukaremera, umukozi wa CNIDH. Kubwo icegera c'uwurengoye iyo parake,ni ukutabona ivyerekana icaha hamwe n'uwakoze icaha,ingingo ya 104 CPP,hatibagiwe ugusubira kugurura ko ingingo yafashwe.

Kubwo urwandiko rwo kuwa 12 Ruheshi 2026 rwashizweko umukono n'indongozi 5 za CNIDH rwandikiwe perezida,basaba uguhagarika vyihuta urugendo rw'i Genève rwo kuwa 20 Ruheshi 2026 rw' umupfasoni BAKAMIRIZA Chantal,umunyamabanga mukuru,bavuga ko yokumvirizwa n'inyamiramabi kuwa 31 Ntwarante 2026 hamwe no kuvugana ubwanyuma na Chadia kuwa 25 Ruhuhuma 2026 kubwo igiporisi c' inyamiramabi.Ingorane nyamukuru ya CNIDH ni iyo kwiga ataguhengama urubanza rurimwo umunyamabanga mukuru hamwe no gukurikiza uko biri itegeko ku bintu bikomeye buca aja Genève. Urwo rubanza ruratuma haba ubusumbasumbane mu butegetsi bwemewe n'amategeko mw'ishirahamwe ONU nk'uko biri mu ngingo ya 42 hamwe n' ivyakozwe,bigatera amakenga ku bwigenge bwayo,ubutwari bwayo hamwe n'ukunganisha hihwejwe SDG 16. Haciye imisi herekanywe icegeranyo ca CNIDH mu nama y'agateka ka zina muntu gushika kuwa 07 Ruheshi 2026,ugutunganya ivya Chadia biteye amakenga ku bushobozi hamwe n'ubutungane bw'urwego, Genève izosuzuma ubwizigirwa kw'isi yose .

## *II. UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NO MURI PORITIKE*

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE*

#### *II.1.1.1. ABANTU BISHWE KU MVO ZO KWIHORA*

***Umwigisha yishwe muri komine n'intara ya Gitega***

Mw'ijoro ryo kuw'Imana,igenekerezo rya 14 Ruheshi 2026, hafi y'isaha zine n'iminota 40,Ndayumvire Léonce,umwigisha wo kw'ishure yitiriwe Umugabekazi w'umwizero yo mw'i Shatanya kandi akaba muri karatiye Nyabiharage, muri komine n'intara ya Gitega yarishwe mu gitero c'igisasu ntezwantoke.

Ku bwo amasoko yaho,uwo yishwe yitavye iterefone ngendanwa imutumirira kuva muhira. Ashitse ku muryango w'urupangu,yatewe igisasu ntezwa ntoke.

Kubwo ico gisasu caturitse,ababanyi bariyegeranije bunonyene kugira barokore ubuzima bw'uwo yatewe ico gisasu ariko bitari bukunde kubera Ndayumvire Léonce, kubwo ibikomere birenze, yapfiriye mu nzira bamujanye ku bitaro.

Kubwo ababa muri iyo karatiye,ikiatahuritse ni uko atamatohoza yabaye vyihuse kugira bamenye iyo terefone y'umuntu yamuhamagaye imbere y'uko bamutera igisasu.

#### *II.1.1.2. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE*

***Umugabo yishwe muri komine Cibitoke mu ntara ya Bujumbura.***

Mu gitondo co kuwa gtandatu,igenekerezo rya 13 Ruheshi 2026, muri komine ya Cibitoke ,muri zone Rugombo,ku mutumba Munyika,ababanyi ba Fabien Manirakiza,umudandaza kandi akaba n'umucurzi w' inzahabu,batoye ikiziga ciwe muhira iwe,yatemeguwe n'umupanga.

Ku bwo amasoko menshi,uwikekwa cane ni umuhungu wiwe,Fidèle Yamuremye, w'imyika19 harabwe ikarata karanga muntu yiwe. Uwo muhungu yoba yarahunze bunonyene agiheza gukora iryo bara.Imvo y'ubwo bwicanyi ntiramenyekana,naho amasoko yo hafi avuga ko ari amatati yo mu miryango: uwo muhisi yarasanzwe akunda kwitwara avuga ko umugore wiwe n'abana biwe bamwiba amahera akura mu rudandazwa rw'inzahabu. Intwaro zaho bamenyesheje ko amatohoza yatanguye.

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 9)*

**Ubwicanyi bwakurikiye ugufatwa ku nguvu muri komine Mugina mu ntara ya *Bujumbura***

Umwigeme akiri muto yitwa Hafashimana,afise imyaka iri hagati ya 17 na 20 , yabana na nyina wiwe, umupfakazi w'umurimyi aba ku mutumba Kabere ,mu karere ka Nkubara,muri zone Mabayi,muri komine Mugina.Uwo mukobwa yishwe inyuma yo kumushurashuza hafi y'isaha imwe y'ijoro n'abantu batamenyekanye bamukurikiye avuye kw'isoko. Umuryango wiwe baramurindiriye ko ataha barabura,musazawe yatabaje ababanyi hafi y'isaha zitatu z'ijoro kugira batangure kumurondera.

Ikiziga ciwe catowe mu murima w'ibitoke uri muri ako karere. Ikiziga cari gifise ibimenyetso vyerekana ko bashize imitoto mu kanwa kugira abure impemu. Kandi yarafise ibimenyetso vyo gushurashuzwa,igitsina ciwe caratemaguwe biteye ubwoba ,biboneka neza ko hakoreshejwe icuma k'ubugi gikarishe.Ku bwo ababanyi bamwe bamwe b'abo babuze,bashira ubwo bwicanyi,mu kabi kabishe kajanye n'ibintazi. Ku bandi,abo bamushurashuje boba bamwishe kubera ubwoba bw'uko yohava abavuga,hamwe kubera uwo mwigeme yabamenye,ahandi kubera bamwivye amahera yakuye mu makara yagurishije.

Naho igiporisi n'intwaro bamenyesheje ko hatanguye amatohoza,ababa i Mabayi bamenyesha ko ataburyo nabumwe bw'ukuri bwakoreshejwe kugira hamenyekane abakoze iryo bara. Vyongeye,abahaba barikeka ugukingira ikibabab abakoze ako kabi kabishe,kuri bo koba kakozwe n'imbonerakure canke abagabo bavuga ikinyarwanda basuiriye igisirikare n'igiporisi mu gukizura mw'ijoro.

***Ikiziga c'umwigeme catowe muri komine n'intara ya Gitega***

Ku wa gatatu igenekerezo rya10 Ruheshi 2026 hafi y'isaha cumi na zibiri n'iminota 45,ikiziga ca Ndayizeye Emelyne,w'imyaka 24 , catowe ku nkengera z'uruzi Nyakijanda,impande y'umutumba Macu, muri komine n'intara ya Gitega.

Ku bw'isoko ryacu, abavyeyi b'uwo mwigeme bamenyesheje ko umukobwa wabo yavuye muhira kuwa kabiri igenekerezo rya 9 Ruheshi2026 hafi y'isaha icenda z' umuhingama avuga ko agiye gutemberera umugenzi wiwe. Batanguye kugira amakenga ko yaba yanyurujwe hafi y'isaha zitatu z'ijoro kubera ata ngeso yotaha mw'ijoro yarafise. Bukeye bwaho mu gitondo niho ikiziga ciwe catorwa.

Iryo soko nyene ryamesheje ko ikiziga cari gifise amaboko hamwe n'ibirenge vyari biboshe n'imigozi kandi cari gifise ibikomere vyinshi mu maso hamwe no ku maguru kandi ko yoba yarafashwe ku nguvu kubera agahuzu ko munsi kiwe kari katabutse hanyuma bagasiga aho hatowe ikiziga.

***Ikiziga c'umwana w'imyaka 6 catowe ku mutumba Buheka muri komine komine Nyanza mu ntara ya Burunga***

Kuwa 15 Ruheshi 2026,ikiziga c'umwana w'imyaka 6 caratowe ku mutumba Buheka,muri zone Kazirabageni, muri komine Nyanza, mu ntara ya Burunga.

Ku bwo amakuru yatororokanijwe aho nyene,vyabonetseko umwana atatashe hafi y'isaha zibiri n'iminota 18.

Akamo katewe inyuma yuko abavyeyi babonye ko umwana wabo atatashe muhira.Abana bajanye ku ruzi Rwaba bavuzeko bamubonye atwawe mu ruzi.

Kubwo indongozi zaho,umwana yoba yasimbiye mu rugomero ruri ku ruzi Rwaba kandi rukoreshwa mu kuvomera imirima yo mu mwonga vyageranye. Yabo kandi yafashwe n'ibishanga hagati mu mazi.

Abavyeyi,indongozi zo mu ntwaro hamwe n'abaporisi, baciye batangura kurondera. Ikiziga cahavuye gitorwa munsi mu rugomero,ahagaze kubwo amakuru yatanzwe n'indongozi.

Uwo yapfuye yamenyekanye kw'izina rya BUCUMI Eliphaz, w'imyaka 6,umuhungu wa HATUNGIMANA Onesime na NIYONKURU Jacqueline.

Ikiziga hanyuma cajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro vya komine Buheka.

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 10)*

Imvo z'iryo bara zibutsa akamaro ko kukingira canke kugaba cane mu bikorwa bijanye n'amazi hamwe n'amasoko y'amazi ajamwo n'abana.

### ***Ikizima catowe mu Kinama,muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura***

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuw a16 Ruheshi 202 ivuga ko ikiziga c'umugore akiri muto catowe mu gitondo co kuwa 12 Ruheshi 2026, neza na neza kw'ibarabara rya 5 muri karatiye Bukirasazi, muri Zone Kinama, muri komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura.

Umuhisi yari umukobwa muto ,karangamuntu yiwe ntiyabonetse,kubera nta gipapuro na kimwe kimuranga bamusanganye. Ivyabona vyabonye ikiziga vyemeza ko abo bicanyi boba babanje kumushurashuza imbere yo kumuniga, hanyuma boba baje guta ikiziga aho hantu. Hikekwa ko abo bagizi ba nabi boba bamwiciye kuri yaho,imbere yo kuza guta ikiziga muri aka gashamba ko kw'ibarabara rya 5 muri karatiye Bukirasazi.

### ***Ikiziga c'umugabo catowe muri komine n'intara ya Gitega***

Kuwa 17 Ruheshi 2026, hafi y'isaha cumi ,ku mutumba Mirama,muri zone Mubuga,muri komine n'intara ya Gitega,ikiziga ca Daradangwa Emmanuel Damascène,w'imyaka 65, catowe kimanitse mu nzu .

Ku bwo ivyabona , uwo yatowe ikiziga yari amanitse kw'ikoma ry'inzu. Abo mu muryango wiwe,baratabaje indongozi bemeza ko yiyahuye. Ku bwo isoko ryacu,inyuma yokwishikira aho vyabereye,inyamiramabi Kabanyana Clarisse yamenyeshejwe n'ababnyi ko ivyo bashikirije birimwo amakenga. Abo bahaba baberetseko amaguru y'ico kiziga yakora hasi,ivyo kuri bo,bitemeza ko yoba yiyahuye.

Ababanyi basavye ko amatohoza yimbize yokorwa kugira hamenyekanye ko uwo yapfuye atoba yarishwe imbere yo kumanikwa kugira biboneke ko yoba yiyahuye. Bamenyesheje kandi ko umuhisi yamaze igihe ari mu matati na bamwe bo mu miryango. Mu ntumbero y'amatohoza,Ndereyimana Gaudence na Bayubahe Saphia, uko bakurikirana ari umugore n' umukobwa b'umuhisi,barahagaritswe hanyuma bashirwa mu gasho muri komisariya y'igiporisi mu ntara kugira babandanye amatohoza.

### ***Ikiziga c'umwigeme catowe muri komine n'intara ya Gitega.***

Kuwa gatatu,igenekerezo rya17 Ruheshi 2026,hafi y'isaha icenda z'umuhingamo,ikiziga ca Irankunda Bernadette,w'imyaka 24,umukobwa Habonimana Evariste na Ndereyimana Pascasie, yatowe amanitse ku matanga y'igisenge yo mu cumba ciwe ku mutumba Muremera, muri zone Giheta, muri komine n'intara ya Gitega.

Ku bwo isoko ryacu,imvo z'urwo rupfu ziteye amakenga. Ivyabona bivuga ko ikiziga cari kimanitse ukuntu kutamenyerewe kandi ko umuhisi yarafise ibikomere kw'izosi hamwe no mu mugongo. Bamenyesha ko yoba yarakubaguwe imbere yuko amanikwa kugira bise naho yoba yiyahuye.

Ababa mu kibano,bavuga kandi ko batangajwe ko atanumwe wo mu muryango yahagaritswe canke ngo abazwe ku vyerekeye ivyo vyabaye.

Uwo uri wese ubahirizwa

### *II.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*

**Umuntu yanyurujwe muri komine Kirundo mu ntara ya Butanyerera**

Kuwa17 Ruheshi 2026,hafi y'isaha zitanu z'ijoro,ku gacimbiri Murwa ,ku mutumba Ruhehe,muri zone Bugabira, muri komine kirundo n'intara ya Butanyerera, Nintunze Jean Claude azwi kw'itanzirano rya Bizuru, umuhungu Miburo Emmanuel, yarahagaritswe hatadakurikijwe amategeko hanyuma anyuruzwa mu gasho ka zone Bugabira ajanywe n' umukuru wa zone Bugabira, Ildephonse Misago, umukuru w'umhari w'urwaruka rwo muri zone Bugabira, Ndayikengurutse J Pierre n'uwurongoye umuhari w'urwaruka i Butanyerera.

Jean claude aba i Bujumbura kandi akora nk'umukigingi w'imwe mu bimodoka binibini bitwara ibicuruzwa hangati y'ibihugu vyo muri ako karere aho yaravuye i Ngozi kugira ashire ku guhe urupapauro rw'inzira(pasiporo) hanyuma yafashe uyo mwanya kugira aje kuramutsa umuryango wiwe i Bugabira kuwa 15 Ruheshi 2026.

Ahagarikwa kuwa 17 Ruheshi 2026,ashirwa mu gasho ka zone Bugabira aho yanyururijwe hanyuma yurizwa ingendeshwa y'igisirikare kuwa 18 Ruheshi 2026 hafi y'isaha cumi n'imwe. Miburo Emmanuel, se w' umuhisi,aba ku metero 100 ya komisariya ya zone Bugabira yabonye abasirikare bazunguruka inzu yiwe hanyuma Miburo Emmanuel bamusaba kubugururira. Inzu yarasatswe ariko ntanakimwe kidasanzwe catowe ariko Nintunze jean Claude yarahagaritswe kandi yapfungiwe mu gasho ka zone Bugabira; kw'itegeko rya komiseri wa zone, Kwizera Annicet, yari yahamagawe na se w'uwupfunzwe.Uwo yarasohotse agasho hanyuma ajanwa ahantu hatazwi hakoreshejwe ingendeshwa yo mu bwoko bwa pick up akikujwe n'abasirikare 4 hamwe n'abandi 2 bambaye ibisanzwe.

Nintunze Jean Claude yari yahungiye mu Rwanda muri 2015 hanyuma ahunguka 2021 ariko yahuye n'ibibazo vyinshi harimwo ugusakwa,ugupfungwa hamwe n'iterabwoba kuma terefone y'abantu batazwi hanyuma asubira mu Rwanda muri Myandagaro 2022. Yahungutse kandi muri Ntwarante 2023 hanyuma yinjira mu mugambwe CNDD-FDD muri Nyakanga 2023 kugira aronke icizere ariko atakiva mwo. Yabonye ko Bizimana Emmanuel na Hatungimana Celeus, nabonyene bahungutse, begeranya amakuru hanyuma bashikiriza ko Nintunze J Claude yari lieutenant w'abarwanyi muri RED Tabara aho Nintunze J Claude yacungwa iminsi yose. Yagiye inyuma yo kuronka akazi ko kuba kigingi w'ibimodoka bininibininibitwara ibidandazwa.

**Umusirikare w'umukukuruke yabuzwe irengero muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura**

Jean Claude Nduwimana, umusirikare w'umukukuruke ava ku mutumba Gitaba ,komine n'intara ya Rutana kandi aba muri karatiye Busoro, muri zone Kanyosha ,muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura, yarabuzwe irengero.

Yvuye muhira iwe mu gitondo co kuwa 20 Ruheshi 2026 agiye kunonora imitsi,ariko ntaiyagarutse kuva ico gihe. Umuryango ntamakuru yiwe ufise gushika uyu munsi.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO*

### *II.2.1. UGUFATWA KU NGUVU*

***Umwigeme akiri muto yafashwe ku nguvu mu Kabezi muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura***

Kuwa 16 Ruheshi 2026, umukobwa yitwa I. R,w'imyaka 17,yarashurashujwe ku mutumba Kabezi,muri zone Kabezi,muri komine Mugere,mu ntara ya Bujumbura.

R. ni umunyeshure wo kw'ishure nkuru ya Komine ya KABEZI. Uwo munsi,avuye kw'ishure hanyuma ari mw'ibarabara yahuye n'uwugendesha ipikipiki azi,yitwa Gamariel, asanzwe amujana nk'uko bisanzwe. Mu gihe yarakiri mw'ibarabara,uwo agendesha ipikipiki,yamusavye gutahana nawe iwe kugira basangire imfungurwa. Umukobwa yaravyemeye.Bashitse iwe,barafunguye,hanyuma uwo agendesha ipikipiki yatumyeko inzoga hanyuma barayisangira. Ntiyatashe hanyuma amara ijoro ryose n'uwo agendesha ipikipiki.Bukeye bwaho,avyutse,yamenyeko yashurashujwe. Abavyeyi biwe,bamenye aho yaraye,baje kumurondera. Bashitseyo,basanze asohotse,kandi uwo musore yari yamaze kugenda. Yavuze ivyamubayeho,hanyuma barondera umusore mu giporisi,ariko yari yamaze guhunga.

## *II.3. UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA*

### *II.3.1. UGUHAGARIKWA N'UGUPFUNGWA BIDAKURIKIJE AMATEGEKO*

***Ihagarikwa ry'umugabo muri komine Karusi mu ntara ya Gitega***

Kuva ku wagatatu,igenekerezo rya17 Ruheshi 2026,umwigisha azwi kw'izina rya KAZUNGU Fabrice, umunywanyi w'umugambwe CNDD FDD w'imyaka irenga 35 ava ku mutumba na zone Buhiga muri komine KARUSI yapfungiwe mu gasho k'i Buhiga.Imvo yoba ariko yanse guha umugore wiwe umwana w'umwaka umwe n'amezi 6,uwo mugore ari mu mugambwe CNDD FDD afisse imyaka irenga 30 wo kuri uwo mutumba nyene.

Amahane yaratanguye kuva kuwa kabiri igenekerezo rya 9 Ruheshi2026 aho bashwana mw'ijoro kandi kubera umugabo yari yaborewe,uwo mugore yamukomerekeje akoresheje urwembe amutera ibikomere vyinshi hanyuma umugabo umugabo yajanywe ku bitaro i Buhiga aho yarwariye iminsi 4 . Vyongeye ,umugoreyataye umwana wiwe w'umwaka n'inusu ku bavyeyi b'umugabo.Niho gutyo,kuwa kabiri,igenekerezo rya 16/6/20220inyuma y'indwi uwo mugore yagiye kuri zone kugira yitware ku Nyamiramabi hanyuma amuha umutahe azokwitaba bukeye bwaho kuwa gatatu hanyuma igihe yitaba,baramuhagaritse hanyuma arapfungwa.

Ubu, abavyeyi b'uwo mugabo bafise amakenga y'iryo hagarikwa ridakurikije amategeko kuri bo ariko yararekuwe kuri uyu wa gatanu ariko twaramenye ingingo zafashwe.

***Umugabo yahagaritswe muri komine Muyinga yo mu ntara ya Buhumuza***

Kuwa kane,igenekeezo rya 18 Ruheshi 2026 hafi y'isaha icenda,umugabo yitwa NTWARI wo mu mugambwe CNDD FDD w'imyaka 32 ava ku mutumba Bwica,muri zone Cumba yo muri komine Muyinga yahagaritswe ku rwego rw'umutumba RWINGOMA,muri zone Buhiga yo muri komine KARUSIigihe yatwara ikinga yivye i Muyinga kandi yaragiye kuyigurisha i KARUSI. Yahagaritswe n'imbonerakure hanyuma baterefona indongozi yabo muri muri zone yariyaje kuraba uwo musuma kandi ku bwo isoko ryaho,baramukubise cane imbere yo kumujana iwabo aremvye naho tutazi ivyakurikiye.

***Ipfungwa ry'umukozi wa Bancobu muri komine Mwaro mu ntara ya Gitega***

Umugabo yitwa Claude, umukozi wa Banki ya Bancobu i Mwaro, yarapfungiwe muri komisariya y'igiporisi muri komine,Mwaro,iri Gatare, haheze indwi (kuwa mbere mu gitondo igenekerezo rya 15 Ruheshi 2026). Iryo pfungwa ryabaye inyuma y'ivyabaye hagati yiwe Uwayezu Claude,umunywanyi akomeye mu mugambwe uri ku butegetsi i Mwaro, mugihe bari mu bunywero bwo mw' ijoro ryo kuwa gatandatu igenekerezo rya 13 Ruheshi 2026.

Umuzi w'ayo matati uva ku kuntu Claude(umukozi wa Banki) yanse gukeza Uwayezu Claude, aherutse kuronka amabanga yo kurongora umuhari w'urwaruka rw'Imbonerakure bo mu mugambwe uri ku butegetsi muri zone ya Mwaro. Uwayezu akora kandi akazi ko kugendura imirimo y'amagara y'abantu muri komine Mwaro, icicaro arimwo kuva aho hatanguriye indinganizo y'intwaro nshasha y'igihugu,haciye umwaka.

Inkuru zatororokanijwe ahonyene,avuga ko Uwayezu Claude yashikirije ikirego ku nzego z' igiporisi, amwagiriza gukubagura indongozi ("yakubise urwego").Uwayezu yagirizwa gusomborotsa uwundi mu bigo vyo kwinezereza, yishimikije ko ari mu mugambwe uri ku butegetsi.

# *III. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI,IMIBANO N'IMICO KAMA*

## *III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

***Isubira gukena ry'ifumbire biteye amakenga abarimyi i Matana n'i Bururi mu ntara ya Burunga***

Abarimyi bo mu makomine ya Matana na Bururi, zo mu ntara ya Burunga, fontbasubiye gukena ifumbire mu gihe co mu ci. Ivyo bintu bihagaritse ibikorwa bijanye n'uburimyi mu burere bwinshi aho abarimyi bigorana mu kuronka ifumbire ikenewe ku biterwa vyabo.

Muri zone Kajondi,muri komine Matana, abahaba bamenyesha ikena ry'ifumbire FOMI Imbura na Bagara,nkenerwa ku giterwa c' ibigori, Ibiharage hamwe n'ibiraya. Kuri bo,iryo kena rije kwiyongera ku birarane vy'ifumbire yo mu bwoko bwa ure na dolomie bari barishe imbere y'igice c'irima A na B,batigeze baronka.

Abarimyi bemeza ko ubushikiranganji bw'ibidukikije,uburimyi n'ubworozi ariko bwari bwegeranije ubutike bwemeza ko barishe imbere iyo fumbire. Naho ivyo vyabaye,ifumbire barishe ntiyigeze itangwa.

Ingorane ntiziri iKajondi honyene. Amazone ya Nyagasasa na Muramba muri komine Matana hamwe na Bamba-Muzenga muri komine Bururi nazonyene zarakozweko. Muri ubwo burere,abarimyi bavuga ko bataye icizere kuri iyo ngorane ibangamiye umwimbu wabo.

« Ntitugifise icizere co kuronka uwo mwavu w'ikizungu. Duta umwanya wacu turima mu myonga mugihe ata fumbire ihari » bidogwa n'abarimyi bamwe bamwe twahuriyeho.

Indongozi zo mu ntwaro hamwe no mu burimyi mu makomine biraba ziremeza iryo kena. Bamenyeshako ifumbire yari mu bubiko bayitanze yose mu gice c'irima ca C.Ariko,ishirahamwe FOMI ntiriratangura kutwara ifumbire mu bubiko bwo mu ntara.

Mu kiganiro c'abanyagihugu giheruka cahuje abashikiranganji hamwe n' abamenyeshamakuru, umushikiranganji wa mbere Nestor Ntahontuye yaremeye ko hari iyo ngorane. Yavuzeko Reta yahuye'n'iduga rikomeye ry'abarimyi basaba ifumbire. Kuri we,FOMI nayo yarakozweko nawe n'ikena ry'amafaranga y'agaciro yagabanije kwinjiza mu gihugu ibikoresho vya nkenerwa mu guhingura ifumbire.

Indongozi mu ntwaro naho biriko yemeje ko ingingo ziriko ziraja mu ngiro kugira iyo ngorane hamwe no gukwiragiza izo fumbire zo mu ndimo.

Kubw'iyo ngorane iguma yisubiriza,amajwi amwe amwe arataka ko borekura igisata c'ifumbire. Abarimyi bibaza ko botanga uruhusha ku bantu bigenga bwo kwinjiza ifumbire vyofasha kugabanya ikena ryisubiriza hamwe no gusezerera ukwikorana kwa FOMI. Ubu,Reta ntaco irashikiriza ku mugaragaro kuri iyo mpanuro.

Mu gihe c'irima kibandanya kibandanya, abarimyi b'i Matana na Bururi batinya ko iryo kena ry'ifumbire rizotuma haba umwimbu ugabanuka cane,hamwe n 'ingaruka ku butunzi hamwe no ku mutekano mu vy'imfunguro mu karere.

# IV. UGUSOZERA N'IBISABWA

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Uburundi:**

Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro kandi yigenga intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga kugira hamenyekane abishwe hamwe n'icatumye bicwa,

Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo co kwa muganga cemewe n'amategeko gipima icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo,

Gufata ingingo zikomeye zo kurandurana n'imizi ukudahana abakora amabi hamwe no kwemera ko abakoze amabi ajanye n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu kugira baregutswe imbere y'ubutungane budahengama,